*Akanyamakuru*

# "BURUNDI - MU GIHE CA KERA N'IC'UBU"

UNITED NATIONS
HUMAN RIGHTS COUNCIL
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

Umurwi w' amatohoza k' Uburundi (COIB) washinzwe n'Inama Mpuzamakungu ya ONU ijejwe agateka ka zina muntu kubera indyane za politike zaturutse ku ngingo yafashwe n'uwari Umukuru w'igihugu w'ico gihe, Nkurunziza, yo kwiyongera ikiringo ca gatatu ku butegetsi mu matora ya 2015. Igihe uyu murwi COIB wasohora icegeranyo cawo ca gatanu, warabajije abantu bamwe bamwe mu bakurikirana ivy'Uburundi ingene babona uko ibintu vyagiye birahinduka muri ico gihugu bihweje ivya kera n'ivy'ubu.

## 1 *"Ni gute ibintu vyahindutse mu gihugu kuva ingorane za 2015?"*

"N'aho ibintu bimwe bimwe vyagiye birahinduka bimera neza inyuma y' amatora ya 2020, ibijanye n'agateka ka zina muntu ntivyahindutse – biracameze nabi kandi bishobora kunyuka mu mwanya muto. Ingorane zishinze imizi zashizwe ahabona inyuma ya 2015 n'ubu ziracariho. Ugufata abatavuga rumwe n'ubutegetsi mu buryo budaciye mu mategeko, kubaboreza igufa, kubanyuruza no kubica vyariyongeye mu mezi aheze; bigaca bisa nk'uko agahengwe kari kabonetse mu ntango za 2020 kariko karasubira inyuma. Ivyaha bikomeye, bimwe muri vyo bikaba bishobora kuba ari ivyaha vy'agahomerabunwa, birabandanya. Ukudahanwa kwarimonogoje, cane cane ukw'ivyaha vyakozwe mu 2015 na 2016. N'aho bamwe mu baharanira agateka ka zina muntu barekuwe, imirwi itegamiye leta y'i Burundi canke yo mu mahanga iharanira agateka ka zina muntu ntiyemerewe gukorera mu gihugu."

**Defend Defenders**
*(Nicolas Agostini)*



"Ndi impunzi, mba mu buhungiro kuva mu ntango za 2016. Imbere ya 2015, nari mfise akazi keza kandi narabeshaho umuryango wanje ata ngorane nimwe. Mu 2015, naciye mu bihe bigoye cane ntaribwabone kuva mbaho ariko; kubera imfashanyo naronse mu buhungiro; narashoboye gusubira kuronka inguvu n'icizere muri jewe kubera nashoboye kuvuga ivyo naciyemwo mu gihugu kavukire, Uburundi, imbere yo guhunga kubera ugutinya ko nohava nicwa n'abampohoteye. Naciye rero nshobora kwigisha izindi mpunzi zafashwe ku nguvu, cane cane abakobwa n'abagore, ndabereka ko kuvuga no kuganira n'abantu bakugira inama bihambaye kandi bifasha kutihebura no kwumva ko hari abagufashe mu mugongo. Mfise amakenga ko gushurashuzwa ku nguvu, gufatwa bunyamaswa be no kubura irengero kw'abatutsi n'abatavuga rumwe n'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD bizobandanya bikorwa mu kinyegero."

**Umurundi**

© Copyright: UNHRC _2021

*Akanyamakuru*

# "BURUNDI - MU GIHE CA KERA N'IC'UBU"

UNITED NATIONS
**HUMAN RIGHTS COUNCIL**
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

"Imbere ya 2015, nta ngorane twari dufise. Ingorane zacu zatanguye mu 2015, zitangurira ku mugabo wanje [...]. Baramwirutseko gushika aho ata akomoka. Umuryango wacu nawe waciye womogwa. Ikibabaje n'uko no kwomoka bitatoreye umuti ikibazo cacu. Dufatwa nk'abansi b'igihugu kuko twahunze [...] kandi turacahohoterwa no ngaha. Uno munsi turi impunzi zidafise aho zikora. Abana bacu ntibiga kuko ata buryo dufise. Dutega amaboko kuri UNHCR kugira ngo tubeho. Abana bacu barahahamutse kubera ivyo baciyemwo. Babonye abapolisi, baragira ubwoba, bagaca baja kwinyegeza kuko batinya gufatwa. Biragoye kubona ibiri imbere."

**Umurundi**

"N'aho Uburundi busa n'ubutekanye, haracari ingorane zitaratorerwa umuti. Ku rugero rumwe, Leta yarashinze ikigo kirwanya ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha gahomerabunwa bikorerwa ikiremwamuntu[1]; yerekana mu buryo bwiza kandi bugaragazwa n'ingingo zifatiye mu nzego z'igihugu ko yifuza gukurikiza icemezo co kurwanya ivyo vyaha[2]. Ariko, ku rundi ruhande, igihugu kiracari ahanyeganyega kubera ingorane za politike n' umutekano zerekana ko ivyaha gahomerabunwa bishobora gukorwa. Nk'akarorero: ikumirwa rifatiye ku bwoko, imigambi y'ugukurikirana ukuri n'ubwiyunge mu banyagihugu idakorwa mu buryo buzira akanenge, ingwano hagati y'inzego zishinzwe umutekano n'imigwi itaramenyekana yafashe ibirwanisho, hamwe n'ibitero vy'inzego z'umutekano bikorerwa abanyagihugu bishingiye ku bwoko n'imigambwe y'abo banyagihugu. Kuri ivyo hakiyongera ukudahana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu."

**Umuhanuzi wihariye mw' Ishami ry'Umuryango Mpuzamakungu ONU rishinzwe kurwanya ihonyabwoko**
*(Ms Alice Warimu Nderitu)*

[1] National Observatory of Prevention and Eradication of Genocide, war crimes and other crimes against humanity
[2] "Framework of Analysis"



© Copyright: UNHRC_202

# *Akanyamakuru* “BURUNDI - MU GIHE CA KERA N’IC’UBU”

UNITED NATIONS
HUMAN RIGHTS COUNCIL
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

## 2 *“Muri iki gihe hoba hakenewe ikigo mpuzamakungu cigenga gikurikirana ivy’agateka ka zina muntu?”*

“Ibintu vyotuma igihugu gihinduka mu buryo buboneka n’ uko amakungu agumiza irikanuye k’Uburundi kandi hagakorwa isubirwamwo rinonosoye mu vyerekeye ubutungane n’uguhana ivyaha. Abategetsi b’Uburundi ntibarerekana ko bifuza guhindura ingendo ngo baronderere inyishu ibibazo bijanye n’agateka ka zina muntu, kandi nta ntambwe zishemeye barakora muri urwo rwego.
COIB yarifise, kandi n’ubu iracafise, uruhara rukomeye. Yarerekanye ivyaha bikorwa i Burundi kandi n’ubu iracabandanya kwerekana ivy’agateka ka zina muntu muri ico gihugu. Ikaba kandi yarakoze akazi gahambaye mu gutesha abari batanguye gukwiragiza imvugo z’urwanko n’amacakubiri afatiye ku bwoko mu 2015-2016.  Abategetsi n’abanyepolitike bahamagarira urwanko rufatiye ku bwoko barabihagaritse; bamaze kubona ko kumbure ingendo yabo irabwa n’amakungu be n’abahinga nka COIB.
Urwego rwo gutesha abokoze ivyaha ruranga akazi ka COIB runganya agaciro n’amatohoza uyo murwi ukora.”

**Defend Defenders**
*(Nicolas Agostini)*



“Birakenewe ko amatohoza yigenga abandanya akorwa kubera:

1 Ntacahindutse c’ukuri mu vyerekeye kwubahiriza agateka ka zina muntu kandi n’ukudahana ivyaha vy’agahomerabunwa vyarimonogoje. Vyinshi mu bikorwa vyo gusubiramwo ibisata bitandukanye vyemewe n’intwaro ya Ndayishimiye ntibirakogwa.

2 Umwitwarariko w’amakungu – be no kwotsa igitutu ubutegetsi – vyaragabanutse kuva intwaro nshasha ifashe ubutegetsi. COIB rero irahambaye kugira Uburundi bugume bureretswe ijisho n’amakungu i Jeneve n’ahandi, werekana ko atagahengwe karaboneka mu vy’agateka ka zina muntu n’ukurinda ivyaha vy’agahomerabunwa.

3 Ingorane zijanye n’ukudahanwa kwimonogoje ziracariho i Burundi. Gutohoza no gutanga inkuru z’imvaho ku vyaha vyakozwe muri kahise birahambaye mu kugarukira abakorewe ivyaha, kubatunganiriza mu nzego zibishinzwe, gufasha igihugu kwihangana no gukomera be no kurinda ko nya vyaha bisubira gukorwa.

4 Kubera ibimenyetso vyinshi vy’ivyaha gahomerabunwa bikiriho, COIB ifise uruhara ruhambaye mu gutabaza mu maguru masha. Ivyo isaba bikwiye gufatwa nka nkama mu myihwezo y’ibikenewe gutunganywa i Burundi mu bihe biri imbere.”

**Global Centre for the Responsibility to Protect**
*(Elisabeth Pramendorfer)*

@GCR2P

© Copyright: UNHRC _2021

*Akanyamakuru*

# "BURUNDI - MU GIHE CA KERA N'IC'UBU"

UNITED NATIONS
HUMAN RIGHTS COUNCIL
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

## 3 *"Umwihwezo w' integuro w'ivyaha gahomerabunwa wakozwe na COIB ukoresheje urutonde rwategekanijwe[3] ufise akamaro ki?"*

"Uwo mwihwezo twasanze ari uburyo bwiza bwo kumenya ibimenyetso vy'ivyaha gahomerabunwa vyigaragaza i Burundi. Ni uburyo bwiza kandi bunonosoye bufasha kumenya ingorane igihugu gifise n'aho imfashabikorwa z'igihugu zotangurira mu kugifasha kuzitorera umuti. Ibimenyetso vy'ejo ha hise bishobora kuba bitandukanye n'ibimenyetso vy'uno munsi; kandi kwumva ingene ibintu bigenda birahinduka bifise uruhara runini mu kurinda ivyaha mu buryo bunonosoye."

**Umuhanuzi wihariye mw' Ishami ry'Umuryango Mpuzamakungu ONU rishinzwe kurwanya ihonyabwoko**
*(Ms Alice Warimu Nderitu)*

"COIB yaragize uruhare rukomeye mu kwerekana ivyaha vy'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu n'ivy'agahomerabunwa vyabereye i Burundi – na cane cane yarakoze igikorwa gihambaye co gutabaza mu maguru masha mu gushira ahabona ibimenyetso vyerekana ko ivyaha bikomeye bishobora gukorwa mu Burundi. Icegeranyo ca 2019 c'uwo murwi ni akarorero karuhariwe c'igikoreshwa mu gutabaza mu maguru masha. Mu gukoresha uwo mwihwezo, umurwi COIB warerekanye umwambi (amatora) woshobora gutuma nya vyaha bisubira gukorwa, wongera urerekana imvo zishinze imizi zatumye nya vyaha bikorwa muri kahise kandi, zidatorewe inyishu, zizobandanya zitera ingorane muri kazoza.
N'aho hari ubutegetsi bushasha i Burundi kandi ata maraso yasetsetse mu gihe c'amatora (n'aho yakozwe mu gahotoro gakomeye), ibimenyetso vyose vy'ivyaha gahomerabunwa vyatororokanywe na COIB biracariho gushika n'ubu. Inzego zidasubiwemwo mu buryo bunonosoye, Abarundi bazoguma babangamiwe n'icuka gituma ivyaha gahomerabunwa bishobora gukorwa."

**Global Centre for the Responsibility to Protect**
*(Elisabeth Pramendorfer)*

@GC R2P



[3] Framework of Analysis for Atrocity Crimes

© Copyright: UNHRC _2021

*Akanyamakuru*

# "BURUNDI - MU GIHE CA KERA N'IC'UBU"

UNITED NATIONS
HUMAN RIGHTS COUNCIL
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

## 4 *"Ubu, i Burundi, ni ibisata ibihe bikeneye gutunganywa mu buryo bwihuta?"*

"Kugumiza ijisho rikaze k'Uburundi; kurwanya ukudahanwa; gutunganya ubutungane n'ugutanga indishi; kwubahiriza uburenganzira ntakomwakomwa bwa kiremwamuntu."

**Defend Defenders**
*(Nicolas Agostini)*

"Ivyihutirwa mu gutsimbataza inzego zirinda ivyaha gahomerabunwa:
Indinganizo zo guhana ivyaha zitwararika ababikorewe. Amatohoza y'ivyaha vya kera n'ibigikorwa akozwe mu kuri, mu cizere, no mu muco; abagirizwa ivyaha bacirwe imanza; ibikorwa vyo kurondera ukuri no kunywanisha abanyagihugu.  Uguhana ivyaha bizofasha muri vyinshi: ukuri n'ugutunganirizwa kw'abakorewe ivyaha; impamvu z'ingenzi zitera ivyo vyaha; be no guhana abakoze ivyaha no mu gutunganya inzego mu kubahana (kuko benshi mubakoze ivyaha bakiri ku butegetsi / canke mu nzego zitwara igihugu).

Ingingo zihutirwa zikeneye gufatwa:
Guhagarika mu maguru masha ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu – cane cane ubwicanyi n'ihohoterwa no gufata bunyamaswa abantu. Gukorana na COIB n'ibindi bigo vy'ishirahamwe mpuzamakungu ONU."

**Global Centre for the Responsibility to Protect**
*(Elisabeth Pramendorfer)*

@GC R2P



"Birakenewe guhugura abategetsi basha b'i Burundi gutsimbataza intwaro rusange, ubutegetsi bukurikiza amategeko, guhana ivyaha hakurikijwe uburyo bubereye no gukorera mu muco mu gukurikirana ubwiyunge bw'Abarundi. Umwihwezo urakeneye kugumaho kugira utume urutoke ibikorwa vyo kurinda ivyaha bibanje gutorera inyishu imyambi y'ivyo vyaha no gushigikira ibikorwa bikuraho vya bimenyetso."

**Umuhanuzi wihariye mw' Ishami ry'Umuryango Mpuzamakungu ONU rishinzwe kurwanya ihonyabwoko**
*(Ms Alice Warimu Nderitu)*

© Copyright: UNHRC _2021

*Akanyamakuru*

# “BURUNDI - MU GIHE CA KERA N’IC’UBU”

UNITED NATIONS
HUMAN RIGHTS COUNCIL
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

“Mu 2015, indyane zarunyutse kuko ivyariko birabera mu gihugu bitari bizwi n’abari hanze. Ubuzima bw’abantu bose, n’ubwanje, bwari bubangamiwe. Amakungu amaze kumenya ivyaha bikorwa, ubuzima bwanje n’ubw’abandi benshi bwaciye buhinduka kubera hari abakurikirana ibiriko biraba. Ku bantu nka jewe twari twabujijwe kuvuga ku bwicanyi bwabaye, kubona uyu murwi w’amatohoza ubivuga, vyari bihambaye gose. Vyatumye amakungu amenya ibiriko biraba mu gihugu.
Ari hamwe amatohoza mpuzamakungu yohagarikwa, Abarundi ni bo bambere bohomba kubera ibintu vyomera nabi kurusha kuko ubutegetsi bwoba buzi ko ivyaha bikorwa bitomenyekana hanze. Kubera abategetsi bazi ko ibibera mu gihugu bivugwa hanze, hari ukuntu badatinyuka gukora ivyaha, ibaze rero ivyokorwa ata bantu nka mwebwe bagumiza ijisho rikaze kubikorwa.“

Umurundi

“Uburundi bwonyene ntibushobora gutsimbataza ugusonera agateka ka zina muntu ukoresheje inzego zayo nk’umurwi w’i Burundi wigenga ujejwe gukurikirana ivy’agateka ka zina muntu. Ntiharagera ko Uburundi babukurako amaboko kuko ntibumeze nk’ibindi bihugu biteye imbere mu vyerekeye agateka ka zina muntu.”

Umurundi




© Copyright: UNHRC _2021

*Akanyamakuru*
# “BURUNDI - MU GIHE CA KERA N’IC’UBU”

UNITED NATIONS
HUMAN RIGHTS COUNCIL
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

## 5 *Ibintu vy’ingenzi k’ Uburundi, mu gihe ca kera n’ic’ubu*

| | 2013 | 2014 | 2015 | 2016 | 2017 | 2018 | 2019 | 2020 | 2021 |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| **Igipimo c’intwaro rusangi[4] c’ikinyamakuru *“The Economist”*** | | | | | | | | | |
| Amanota kwi 10 | 3.41 | 3.33 | 2.49 | 2.40 | 2.33 | 2.33 | 2.15 | 2.14 | |
| **Igipimo c’umurwi *Transparency International* cerekana urugero rw’intwaro ikorera mu muco ikarwanya igiturire[5]** | | | | | | | | | |
| Amanota kwi 10 (amanota menshi yerekana ko igihugu kitabangamiwe n’ingorane y’igiturire) | 21 | 20 | 21 | 20 | 22 | 17 | 19 | 19 | |
| Mu bihugu 180, Uburundi ni ubwa | 157 | 159 | 150 | 159 | 157 | 170 | 165 | 165 | |
| **Igipimo c’umurwi Transparency International cerekana urugero rw’intwaro ikorera mu muco, irwanya igiturire** | | | | | | | | | |
| Mu bihugu 180, Uburundi ni ubwa | 132 | 142 | 145 | 156 | 160 | 159 | 159 | 160 | 147 |
| **Igipimo c’uburenganzira bwa kiremwa muntu[6]** | | | | | | | | | |
| Amanota kwi 100 | | 32 | 19 | 19 | 18 | 14 | 13 | 14 | |



[4] *The Economist Democracy Index*
[5] *Transparency International Corruption Index*
[6] *Freedom Civil Liberties Index*

© Copyright: UNHRC - 2021

*Akanyamakuru*

# "BURUNDI - MU GIHE CA KERA N'IC'UBU"

UNITED NATIONS
**HUMAN RIGHTS COUNCIL**
THE COMMISSION OF INQUIRY ON BURUNDI

| | 2010 | 2011 | 2012 | 2013 | 2014 | 2015 | 2016 | 2017 | 2018 | 2019 | 2010 - 2019 |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| Igipimo c'ubutware muri Afrika ca *Mo Ibrahim Foundation*[7] (Amanota kwi 100) | | | | | | | | | | | |
| Umutekano n'intwaro ifatiye ku mategeko | 42.9 | 42.8 | 42.3 | 39.9 | 39.3 | 29.9 | 29.2 | 30.7 | 29.7 | 30.2 | -12.7 |
| Kugira uruhare mu ntwaro rusangi, uburenganzira no kugira ijambo | 44.2 | 44.1 | 44.8 | 44.1 | 43.4 | 39.2 | 36.2 | 35.2 | 34.0 | 33.2 | -11.0 |
| Urufatiro mu vyerekeye gukora no kurondera ubutunzi | 34.0 | 35.2 | 36.8 | 38.5 | 36.9 | 36.6 | 36.4 | 36.5 | 35.7 | 37.0 | +3.0 |
| Iterambere ry'abantu[8] | 40.9 | 41.7 | 44.3 | 45.2 | 47.4 | 46.9 | 46.9 | 46.5 | 46.2 | 47.2 | +6.3 |

[7] *Ibrahim Index of African Governance*
[8] *Human development*



© Copyright: UNHRC 2021